Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo. Ibisabisho vy'itazira n'ininahazamana bivugwa mu gitondo no ku mugoroba.

(الم * (ALIF LAAM MIIM). " Ni zimwe mu ndome z'ururimi rw'icarabu, Imana Allah Yatanguje bimwe mu bisomwa vya Qor'ani, kugira Ihige n'Abarabu bari basanzwe bakoresha izo ndome, ko boshobora kuzana Aayah n'imwe isa mu mvugo na Qor'ani , birabananira. Ico gica kiba igitangaro cemeza ko Qor'ani ari Igitabu c'Imana Allah".

ذَلِكَ الْكِتَابُ لا رَيْبَ فِيهِ هُدىً لِلْمُتَّقِينَ * (DHAALIKA L-KITAABU LAA RAYBA FIIHI HUDAL-LIL-MUTTAQIIN). "Ico Gitabu ca Qor'ani, nta makenga kirimwo kuko camanuwe n'Imana Allah. Ni uburongozi ku bagamburukiramana".الَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِالْغَيْبِ وَيُقِيمُونَ الصَّلاةَ وَمِمَّا رَزَقْنَاهُمْ يُنْفِقُونَ * (ALLADHIINA YU-UMINUUNA BIL-GHAYBI WAYUQIIMUUNA SSWALAATA WAMIN MAA RAZAQNAAHUM YUN-FIQUUN). "Abemera ibinyegejwe ibiremwa , bagatsimbataza amasengesho akwije ibisabwa ku mwanya wayo nk'uko bitegetswe, bagatanga ishikanwa-bwirizwa (Zakat) n'izindi mperezwa (Sadaka) mu vyo Imana Allah Yabahaye".وَالَّذِينَ يُؤْمِنُونَ بِمَا أُنْزِلَ إِلَيْكَ وَمَا أُنْزِلَ مِنْ قَبْلِكَ وَبِالْآخِرَةِ هُمْ يُوقِنُونَ * (WALLADHIINA YU-UMINUUNA BIMAA UN-ZILA ILAYKA WAMAA UN-ZILA MIN QABLIKA WABIL-AAKHIRATI HUM YUUQINUUN). "N'abemera ivyo wahishuriwe muri Qor'ani ewe Ntumwa y'Imana, bakanemera n'ivyahishuriwe izindi Ntumwa zo hambere yawe, bakemera ata gukekeranya ibizoba mu buzima bw'inyuma yo gupfa".أُولَئِكَ عَلَى هُدىً مِنْ رَبِّهِمْ وَأُولَئِكَ هُمُ الْمُفْلِحُونَ). (ULAA-IKA 'ALAA HUDAN MIN RABBIHIM WA-ULAA-IKA HUMU L-MUFLIHUUN). "Abo barangwa n'ivyo, ni bo bari mu nzira y'uburongozi bw'Imana yabo Rurema Allah. Abo ni na bo rero baronse intsinzi kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa".(Al-Baqara: 1-5).

اللَّهُ لا إِلَهَ إِلا هُوَ الْحَيُّ الْقَيُّومُ لا تَأْخُذُهُ سِنَةٌ وَلا نَوْمٌ لَهُ مَا فِي السَّمَاوَاتِ وَمَا فِي الأَرْضِ مَنْ ذَا الَّذِي يَشْفَعُ عِنْدَهُ إِلا بِإِذْنِهِ يَعْلَمُ مَا بَيْنَ أَيْدِيهِمْ وَمَا خَلْفَهُمْ) وَلا يُحِيطُونَ بِشَيْءٍ مِنْ عِلْمِهِ إِلا بِمَا شَاءَ وَسِعَ كُرْسِيُّهُ السَّمَوَاتِ وَالأَرْضَ وَلاَ يَؤُودُهُ حِفْظُهُمَا وَهُوَ الْعَلِيُّ الْعَظِيمُ). (ALLAAHU LAA ILAAHA ILLAA HUWA L-HAYYU L-QAYYUUM, LAA TA-AKHUDHUHUU SINATUN WALAA NAWM, LAHUU MAA FI SSAMAAWAATI WAMAA FI L-ARDWI. MAN DHA LLADHII YASH-FA'U 'INDAHUU ILLAA BI-IDH-NIHI, YA'LAMU MAA BAYNA AYDIIHIM WAMAA KHAL-FAHUM, WALAA YUHIITWUUNA BISHAY-IN MIN 'ILMIHII ILLAA BIMAA SHAA-A, WASI'A KURSIYYUHU SSAMAAWAATI WAL-ARDWA. WALAA YA-UUDUHUU HIF-DHWUHUMAA WAHUWA L'ALIYYU L'ADHWIIM). "Allah, ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira nk'uko buyikwiye, Umuhagarikizi w'ibiremwa Yikwije muri vyose. Ntihunikira (Ntihunyiza) eka Ntinasinzira. Ni Yo Rugaba Igaba Ikaganza ibiri mu majuru n'ibiri mw'isi n'ibiri hagati yavyo. Nta n'umwe yokwubahuka kuvugira uwundi imbere yayo, kiretse ku burenganzira buvuye kuri Yo. Ni Yo Izi bikwiye inkuru z'ibiremwa vyose, kahise, kubu na kazoza kavyo. Nta n'umwe ashoboye kumenya na kimwe mu bumenyi bwayo kiretse ivyo Yo Yonyene Ishatse ko amenya. Ubuvyagiro bw'Ibirenge vyayo bukwiriye amajuru n'isi, kandi ntibiyiruhije kubungabunga amajuru n'isi. Ni na Yo rero Nyenicubahirogisumbavyose, Nyenicubahiro-ntangere".
(Aayatu l-Kursiyyu, Al-Baqara: 255).

آمَنَ الرَّسُولُ بِمَا أُنْزِلَ إِلَيْهِ مِنْ رَبِّهِ وَالْمُؤْمِنُونَ كُلٌّ آمَنَ بِاللَّهِ وَمَلائِكَتِهِ وَكُتُبِهِ وَرُسُلِهِ لا نُفَرِّقُ بَيْنَ أَحَدٍ مِنْ رُسُلِهِ وَقَالُوا سَمِعْنَا وَأَطَعْنَا غُفْرَانَكَ رَبَّنَا) وَإِلَيْكَ الْمَصِير * (AAMANA RRASUULU BIMAA UN-ZILA ILAYHI MIN RABBIHII WAL-MU-MINUUNA, KULLUN AAMANA BILLAAHI WAMALAA-IKATIHII WAKUTUBIHII WARUSULIHI LAA NUFARRIQU BAYNA AHADIN MIN RUSULIHI, WAQAALUU SIMI'NAA WA-ATWA'NAA, GHUFRAANAKA RABBANAA WA-ILAYKA L-MASWIIR. LAA YUKALLIFU LLAAHU NAFSAN ILLAA WUS'AHAA, LAHAA MAA KASABAT WA'ALAYHAA MA KTASABAT, RABBANAA LAA TU-AAKHIDH-NAA IN NASIINAA AW AKH-TWA-ANAA, RABBANAA WALAA TAHMIL ALAYNAA ISW-RAN KAMAA HAMALTAHUU 'ALA LLADHIINA MIN QABLINAA, RABBANAA WALAA TUHAMMILNAA MAA LAA TWAAQATA LANAA BIHI, WA-'FU 'ANNAA WAGH-FIR LANAA WAR-HAMNAA, AN-TA MAWLAANAA FAN-SWURNAA 'ALA L-QAWMI L-KAAFIRIINA). "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaremeye iranizigira ivyo yahishuriwe n'Imana yayo Rurema Allah muri Qor'ani, eka n'abemeramana baravyemeye baranabishira mu ngiro; umwe wese muri bo yaremeye Imana Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo n'Intumwa zayo zose, baraheza bavuga bati: "Ntituvangura n'imwe mu kwemera Intumwa zayo". Barongeye baravuga hamwe n'Intumwa bati: "Twumvise kandi twumviye Imana Allah, turasavye rero imbabazi n'ikigongwe cawe, Mana yacu Rurema! Ni no kuri Wewe rero tuzosubira kugira Uduhembere ivyo twakoze. Imana Allah ntitegeka umuntu ibirimwo amananiza, Imutegeka ivyoroshe ashoboye gushira mu ngiro bitewe n'impuhwe Imufitiye. Umwe wese rero azohemberwa ivyiza yarondeye, ahanirwe ibibi yarondeye. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhane mu gihe twibagiye gukora ibitegetswe, mu gihe dukoze ibibujijwe, canke mu gihe dukosheje bitewe no kutamenya. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhe itegeko ririmwo amananiza nk'uko Wategetse ab'aho hambere yacu ku kubahana. Mana yacu Rurema Allah! Ntuturemeke amabwirizwa tudashoboye gushira mu ngiro, duhanagurire ivyaha vyacu, tugumirize akabanga ku vyaha vyacu maze ntubiduhanire, Wongere Utugirire impuhwe n'ubugwaneza. Ni Wewe Umuhagarikizi n'Umutabazi wacu, dushoboze rero gutsinda abantu b'abagarariji".

لا يُكَلِّفُ اللَّهُ نَفْساً إِلا وُسْعَهَا لَهَا مَا كَسَبَتْ وَعَلَيْهَا مَا اكْتَسَبَتْ رَبَّنَا لا تُؤَاخِذْنَا إِنْ نَسِينَا أَوْ أَخْطَأْنَا رَبَّنَا وَلا تَحْمِلْ عَلَيْنَا إِصْراً كَمَا حَمَلْتَهُ عَلَى الَّذِينَ مِنْ قَبْلِنَا رَبَّنَا وَلا تُحَمِّلْنَا مَا لا طَاقَةَ لَنَا بِهِ وَاعْفُ عَنَّا وَاغْفِرْ لَنَا وَارْحَمْنَا أَنْتَ مَوْلانَا فَانْصُرْنَا عَلَى الْقَوْمِ الْكَافِرِينَ). (LAA YUKALLIFU LLAAHU NAFSAN ILLAA WUS-'AHAA LAHAA MAA KASABAT WA- 'ALAYHAA MA KTASABAT, RABBANAA LAA TU-AAKHIDHNAA IN NASIINAA AW AKH-TWA-NAA, RABBANAA WALAA TAHMIL 'ALAYNAA ISWRAN KAMAA HAMALTAHUU 'ALA LLADHIINA MIN QABLINAA, RABBANAA WALAA TUHAMMILNAA MAA LAA TWAAQATA LANAA BIHI, WA'FU 'ANNAA WAGH-FIR LANAA WARHAMNAA AN-TA MAWLAANAA FAN-SWURNAA 'ALA L-QAWMI L-KAAFIRIIN). "Imana Allah ntitegeka umuntu ibirimwo amananiza, Imutegeka ivyoroshe ashoboye gushira mu ngiro bitewe n'impuhwe Imufitiye. Umwe wese rero azohemberwa ivyiza yarondeye, ahanirwe ibibi yarondeye. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhane mu gihe twibagiye gukora ibitegetswe, mu gihe dukoze ibibujijwe, canke mu gihe dukosheje bitewe no kutamenya. Mana yacu Rurema Allah! Ntuduhe itegeko ririmwo amananiza nk'uko Wategetse ab'aho hambere yacu ku kubahana. Mana yacu Rurema Allah! Ntuturemeke amabwirizwa tudashoboye gushira mu ngiro, duhanagurire ivyaha vyacu, tugumirize akabanga ku vyaha vyacu maze ntubiduhanire, Wongere Utugirire impuhwe n'ubugwaneza. Ni Wewe Umuhagarikizi n'Umutabazi wacu, dushoboze rero gutsinda abantu b'abagarariji".(Al-Baqara: 285-286).

(حم * (HAA MIIM). " Ni zimwe mu ndome z'ururimi rw'icarabu, Imana Allah Yatanguje bimwe mu bisomwa vya Qor'ani kugira Ihige n'Abarabu bari basanzwe bakoresha izo ndome, ko boshobora kuzana Aayah n'imwe isa mu mvugo na Qor'ani, birabananira. Ico gica kiba igitangaro cemeza ko Qor'ani ari Igitabu c'Imana Allah".

تَنْزِيلُ الْكِتَابِ مِنَ اللَّهِ الْعَزِيزِ الْعَلِيمِ * (TAN-ZIILU L-KITAABI MINA LLAAHI L-'AZIIZI L-'ALIIM)."Ihishurwa ry'iki Gitabu ca Qor'ani, ryavuye ku Mana Allah, Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora;غَافِرِ الذَّنْبِ وَقَابِلِ التَّوْبِ شَدِيدِ الْعِقَابِ ذِي الطَّوْلِ لا إِلَهَ إِلَّا هُوَ إِلَيْهِ الْمَصِيرُ). (GHAAFIRI DDHAMBI WAQAABILI TTAWBI SHADIIDI L-'IQAABI DHI TTWAWLI LAA ILAAHA ILLAA HUWA ILAYHI L-MASWIIR). "Ibabarira ivyaha vy'abanyavyaha, Ikakira n'ukwigaya kw'abigaya; Igahana Igahasha abubahutse gukora ivyaha hanyuma ntibigaye, Nyenimpano ku baja bayo bayumvira, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo, ni kuri Yo rero ibiremwa vyose bizosubizwa ku musi w'iharurirwa, kugira Ihembe kimwe cose ku rugero rw'ibigikwiye".(Ghaafir: 1-3).

(هُوَ اللَّهُ الَّذِي لا إِلَهَ إِلا هُوَ عَالِمُ الْغَيْبِ وَالشَّهَادَةِ هُوَ الرَّحْمَنُ الرَّحِيمُ * (HUWA LLAAHU LLADHII LAA ILAAHA ILLAA HUWA 'AALIMU L-GHAYBI WAS-SHAHAADATI HUWA RRAHMAANU RRAHIIM). "Ni Yo Mana Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Yo. Irazi ibinyegeje n'ibiboneka, ni Yo Nyenimpuhwe ku biremwa vyose, Nyenimbabazi ku batoni bayo".

هُوَ اللَّهُ الَّذِي لا إِلَهَ إِلا هُوَ الْمَلِكُ الْقُدُّوسُ السَّلامُ الْمُؤْمِنُ الْمُهَيْمِنُ الْعَزِيزُ الْجَبَّارُ الْمُتَكَبِّرُ سُبْحَانَ اللَّهِ عَمَّا يُشْرِكُونَ * (HUWA LLAAHU LLADHII LAA ILAAHA ILLAA HUWA L-MALIKU L-QUDDUUSU SSALAAMU L-MU-MINU L-MUHAYMINU L-'AZIIZU L-JABBAARU L-MUTAKABBIRU SUB-HAANA LLAAHI 'AMMAA YUSH-RIKUUN). "Ni Yo Mana Allah, nta yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo. Ni Yo Mwami, Nyenubutagatifu, Semahoro, Nyenugutekanisha , Uwiganje , Nyenintsinzi-Mutaneshwa , Ntahangarwa, Nyenukwishima. Ukuninahazwa, ni ukw'Imana Allah mu buryo burengeye cane ivyo bayitiranya bayibangikanya".هُوَ اللَّهُ الْخَالِقُ الْبَارِئُ الْمُصَوِّرُ لَهُ الأَسْمَاءُ الْحُسْنَى يُسَبِّحُ لَهُ مَا فِي السَّمَاوَاتِ وَالأَرْضِ وَهُوَ الْعَزِيزُ الْحَكِيم). (HUWA LLAAHU L-KHAALIQU L-BAARI-U L-MUSWAWWIRU LAHU L-ASMAA-U L-HUSNAA, YUSABBIHU LAHUU MAA FI SSAMAWAATI WAL-ARDWI WAHUWA L-'AZIIZU L-HAKIIM). "Ni Yo Mana Allah, Rurema, Nyenugutunganya ibiremwa nk'uko Yabitegekanije; Rutunganyandemo, Yahaye ishusho ibiremwa vyose. Ifise amazina meza cane n'amatazirano ayiranga. Ibiri mu majuru no kw'isi vyose, birayininahaza; ni na Yo rero Nyenintsinzi-Mutaneshwa, Intungane mu vyo Ikora".(Al-Hashr: 22-24).

(قُلْ هُوَ اللَّهُ أَحَدٌ) (QUL HUWA LLAAHU AHAD. ALLAHU SSWAMAD. LAM YALID WALAM YUULAD. WALAM YAKUN LAHUU KUFUWAN AHAD). "Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu bushobozi bwo kurema no mu mazina n'amatazirano yayo. Imana Allah, ni Yo Nyenugutumberwa muri vyose. Ntiyavyaye kandi ntiyavyawe, eka ntigira n'umugore.Kandi ntigira ikiremwa na kimwe bisa canke bisusa, haba mu mazina n'amatazirano yayo, haba no mu bushobozi bwayo".

(قُلْ أَعُوذُ بِرَبِّ الْفَلَقِ) (QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQ. MIN SHARRI MAA KHALAQ. WAMIN SHARRI GHAASIQIN IDHAA WAQAB. WAMIN SHARRI NNAFFAATHAATI FI L-'UQAD. WAMIN SHARRI HAASIDIN IDHAA HASAD). "Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mana Allah, Umuremyi w'igitondo; Inkingire inabi y'ivyo Yaremye vyose; N'inabi y'ijoro iyo ryijimye; N'inabi y'abarozikazi bahuha mu mapfundo mu kuroga; N'inabi y'umunyeshari iyo asharitse".(قُلْ أَعُوذُ بِرَبِّ النَّاسِ). (QUL A'UUDHU BIRABBI N-NAAS. ILAAHI . MALIKI N-NAAS. ILAAHI N-NAAS. MIN SHARRI L-WAS-WAASI L-KHAN-NAAS. ALLADHII YUWAS-WISU FII SWUDUURI N-NAAS. MINA L-JINNATI WAN-NAAS). "Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mubungabunzi w'abantu bose; Umwami Mugabe w'abantu, Yikenuye; Imana

Nyene gusengwa n’abantu, ata yindi mana ikwiye gusengwa atari Yo; Inkingire inabi ya shetani itera amazinda kenshi iyo umuntu agoswe, ikanyegera iyo aninahaje Imana Allah; Itera amazinda n’amakenga mu mitima y’abantu, ikabosha gukora ibibi no kureka ibitegetswe; ikomoka mu bwoko bw’Amajini n’ubw’abantu”.Soma igisomwa kimwekimwe cose incuro zitatu.
“A’UUDHU BIKALIMAATI LLAAHI TTAAMMAATI MIN SHARRI MAA KHALAQA ”. (Ndikinze nkoresheje amajambo atunganye y’Imana Allah (atagabanijweko) , Ankingire inabi y’ivyo Yaremye).
(Incuro zitatu).
"BISMI LLAAHI LLADHII LAA YADWURRU MA-'A SMIHII SHAY-UN FI L-ARDWI WALAA FI SSAMAA-I WAHUWA SSAMII’U L-’ALIIM". (Kw’Izina ry’Imana Allah, Yo ahavuzwe Izina ryayo ata gishikirwa n’inabi kw’isi canke mw’ijuru. Kandi Iyo Mana Allah, Ni Nyenukwumva, Nyenubumenyikurivyose).
(Incuro zitatu).
"RADWIITU BILLAAHI RABBAN, WABIL-ISLAAMI DIINAN, WABIMUHAMMADIN SWALLA LLAAHU 'ALYHI WASALLAMA NABIYYAN". (Ndashimishwa n’uko Allah ari Yo Mana yanje Rurema, n’uko ubwislamu ari ryo dini ryanje, n’uko Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe z’Imana Allah) ari yo Ntumwa yanje).
(Incuro zitatu)
"ASW-BAHNAA WA-ASW-BAHAL-MULKU LILLAAHI WAL-HAMDU LILLAAH, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU WAHUWA 'ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR. RABBI AS-ALUKA KHAYRA MAA FII HAADHA L-YAWMI WAKHAYRA MAA BA-'DAHU, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA FII HAADHA L-YAWMI WAMIN SHARRI MAA BA-'DAHU, RABBI A-'UUDHU BIKA MINA L-KASALI WAL-HARAMI WASUU-I L-KIBAR, WA-AUUDHU BIKA MIN 'ADHAABI NNAARI WA'ADHAABI-L- QABRI". (Twaramutse, n’ubwami bwaramutse ari ubw’Imana Allah, nihashimagizwe Imana Allah, nta mana y’ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa, ni na Yo Mushoboravyose. Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye ivyiza vy’ibiri muri uwu musi, n’ivyiza vy’ibiri mu wukurikira, ndanakwikinzeko (Unkingire) ibibi vy’ibiri muri uwu musi, n’ibibi vy’ibiri mu wukurikira. Mana yanje Rurema Allah! Ndakwikinzeko Undinde ubunebwe hamwe n'ugusaza nabi. Mana yanje Rurema Allah! Ndakwikinzeko (Unkingire) uguhanwa mu muriro n’uguhanwa mu mva).
Ku mugoroba naho avuga ati:"AMSAYNAA WA-AMSA L-MULKU LILLAAHI WAL-HAMDU LILLAAHI, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU WAHUWA 'ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR. RABBI AS-ALUKA KHAYRA MAA FII HAADHIHI LLAYLATI WAKHAYRA MAA BA-'DAHAA, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA FII HAADHIHI LLAYLATI WAMIN SHARRI MAA BA-'DAHAA, RABBI A-'UUDHU BIKA MINA L-KASALI WAL-HARAMI WASUU-I L-KIBAR, WA-AUUDHU BIKA MIN 'ADHAABI NNAARI WA'ADHAABI-L-QABRI".(Twiriwe, n’ubwami bwiriwe ari ubw’Imana Allah, nihashimagizwe Imana Allah, nta mana y’ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa. Ubwami n’ishimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose. Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye ivyiza vy’ibiri muri iri joro, n’ivyiza vy’ibiri mu rikurikira, ndanakwikinzeko Undinde ibibi vy’ibiri muri iri joro, n’ibibi vy’ibiri mu rikurikira. Mana yanje Rurema Allah! Ndakwikinzeko Undinde ubunebwe hamwe n'ugusaza nabi. Mana yanje Rurema Allah! Ndakwikinzeko (Undnde) uguhanwa mu muriro n’uguhanwa mu mva).Akongera akavuga ati:Mana yanje Rurema Allah! Ndagusavye Umpe ivyiza biri muri rino joro...*****
"ALLAAHUMMA BIKA ASW-BAHNAA WABIKA AMSAYNAA WABIKA NAMUUTU WA-ILAYKA N-NUSHUUR". (Mana yanje Nzima! Ni ku bwawe twaramutse, ni no ku bwawe duhava twiririrwa, kandi ni ku bwawe tubayeho ni no ku bwawe dupfa, kandi ni iwawe tuzokwegeranirizwa).
akongera akavuga ku mugoroba kandi ati:"ALLAAHUMMA BIKA AMSAYNAA WABIKA ASW-BAHNAA WABIKA NAMUUTU WABIKA NAHYAA WAILAYKA L-MASWIIR" (Mana yanje Nzima! Ni ku bwawe twiriwe, ni no ku bwawe tuzoramuka; kandi ni ku bwawe dupfa ni no ku bwawe duheza tukabaho, kandi iherezo ryacu ni iwawe).
"ALLAAHUMMA MAA ASW-BAHA BII MIN NI-'MATIN AW BI-AHADIN MIN KHALQIKA, FAMIN-KA WAHDAKA LAA SHARIIKA LAKA, FALAKA L-HAMDU WALAKA S-SHUKRU". (Mana yanje Nzima! Ivyo naramukanye mu nema zawe canke ivyo umwe wese mu biremwa vyawe yazindukanye, vyose bituruka kuri Wewe Wenyene gusa ata n’umwe mubangikanije. Kubera ivyo rero, ishimagizwa no gushimwa ni ivyawe),
Akavuga ku mugoroba naho ati:"ALLAAHUMMA MAA AMSAA BII MIN NI-'MATIN AW BI-AHADIN MIN KHALQIKA, FAMIN-KA WAHDAKA LAA SHARIIKA LAKA, FALAKA L-HAMDU WALAKA SSHUKRU" (Mana yanje Nzima! Ivyo nirirwanye mu nema zawe canke ivyo umwe wese mu biremwa vyawe

yirirwanye, vyose bituruka kuri Wewe Wenyene gusa ata n'umwe mubangikanije. Kubera ivyo rero, ishimagizwa no gushimwa ni ivyawe).
"ALLAAHUMMA INNII ASW-BAHTU FII NI-'MATIN WA-'AAFIYATIN WASITRI, FA-ATIMM NI-'MATAKA 'ALAYYA WA-'AAFIYATAKA WASITRAKA FII DDUN-YAA WAL-AAKHIRAH". (Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri naramutse ndi mu nema, ndoraniwe mu magara yanje, ngumirijwe akabanga.Ndagusavye rero ko Woshishikara kumpa inema zawe, ukuroranirwa mu magara yanje hamwe no kugumirizwa akabanga mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa).
(Incuro zitatu).Akavuga ku mugoroba naho ati:"ALLAAHUMMA INNII AMSAYTU FII NI-'MATIN WA-'AAFIYATIN WASITRIN, FA-ATIM NI-'MATAKA 'ALAYYA WA-'AAFIYATAKA WASITRAKA FII DDUN-YAA WAL-AAKHIRAH". (Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri niriwe ndi mu nema, ndoraniwe mu amagara yanje, ngumirijwe akabanga. Ndagusavye rero ko Woshishikara kumpa inema zawe, ukuroranirwa mu magara yanje hamwe no kugumirizwa akabanga mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa).*****
"ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-HAMMI WAL-HUZNI, WA A'UUDHU BIKA MINA L-'AJZI WAL-KASAL, WA-A'UUDHU BIKA MINA L-JUBNI WAL-BUKHL, WA-A'UUDHU BIKA MIN GHALABATI DDAYNI WAMIN QAHRI RRIJAAL". (Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri ndakwikinzeko Unkingire akabonge (agahinda), ukwicwa n'intuntu. Ndakwikinzeko kandi Undinde ukunanirwa (kurangura ico nshoboye), ukunebwa. Vyongeye, ndanakwikinzeko Unkingire ugutekerwa n'ubwoba n'ukuba ingumyi. Bitayeko ndanakwikinzeko Unkingire ukwugarizwa nkaremerwa n'umwenda (ukunanirwa kuriha ingurane), n'ugucinyizwa n'abagabo ( n'ukugenderwako)).
"ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L-'AAFIYATA FI DDUN-YAA WAL-AAKHIRAH, ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA L-'AFWA WAL-'AAFIYATA FII DIINII WADUN-YAAYA WA-AHLII WAMAALII, ALLAAHUMMA STUR 'AWRAATII WA-AAMIN RAW-'AATII, ALLAAHUMMA HFADHW-NII MIN BAYNI YADAYYA WAMIN KHALFII WA-'AN YAMIINII WA-'AN SHIMAALII WAMIN FAWQII,WA A-'UUDHU BI-'ADHWAMATIKA AN UGH-TAALA MIN TA-HTII". (Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye kuroranirwa mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa. Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri ndagusavye imbabazi no kuroranirwa mw'idini ryanje, mu buzima bwanje bwo kw'isi, mu muryango wanje no mu matungo yanje. Mana yanje Nzima! Mbikira akabanga ku kuntu mbayeho, Untekanye ku mushaha (hagize igituma mpungabana). Mana yanje Nzima! Mbungabungira imbere yanje, inyuma yanje, iburyo bwanje, ibubamfu bwanje no hejuru yanje. Kandi ndikinze ku budahangarwa bwawe sinterwe musi yanje ngo mirwe n'isi) .
"ALLAAHUMMA AN-TA RABBII LAA ILAAHA ILLAA AN-TA, KHALAQTANII WA-ANAA 'ABDUKA, WA-ANAA 'ALAA 'AH-DIKA WAWA-'DIKA MA STATWA-'TU, A-'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA SWANA-'TU, ABUU-U LAKA BINI-'MATIKA 'ALAYYA, WA-ABUU-U BIDHAMBII, FAGH-FIR LII, FA-INNAHUU LAA YAGH-FIRU D-DHUNUUBA ILLAA AN-TA" (Mana yanje Nzima! Wewe ni We Mana yanje Rurema, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe. Warandemye na jewe ndi umuja wawe, kandi ndi kw'isango ryawe n'isezerano ryawe uko nshoboye. Ndakwikinzeko Unkingire ingaruka mbi y'ivyo nakoze, ndemanze imbere yawe inema zawe ndimwo, ndireze kandi ndicujije imbere yawe ivyaha vyanje kugira ngo Umbabarire. Mu vy'ukuri, ntawubabarira ivyaha atari Wewe).
“ALLAAHUMMA FAATWIRA SSAMAAWAATI WAL-ARDWI, AALIMA L-GHAYBI WAS-SHAHAADATI, RABBA KULLI SHAY-IN WAMALIIKAHU, ASH-HADU AL- LAA ILAAHA ILLAA AN-TA, A-'UUDHU BIKA MIN SHARRI NAFSII WAMIN SHARRI S-SHAYTWAANI WASHIRKIHI, WA-AN AQ-TARIFA 'ALAA NAFSII SUU-AN AW AJURRAHU ILAA MUSLIM”. (Mana yanje Nzima! Rutanguzandemo w'amajuru n'isi! Rumenyi w'ibinyegeje n'ibiboneka! Mana Rurema w'ikintu ico ari co cose na Rugaba waco! Ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe, ndakwikinzeko Unkingire inabi y'umushaha wanje, inabi ya shetani n'imitego yayo, Unkingire kwikwegerako inabi canke kuyikwegerako umwislamu).
“ALLAAHUMMA INNII ASW-BAH-TU USH-HIDUKA, WA-USH-HIDU HAMALATA 'AR-SHIKA, WAMALAA-IKATAKA, WA-AMBIYAA-AKA, WAJAMII-'A KHAL-QIKA, BI-ANNAKA AN-TA LLAAHU LAA ILAAHA ILLAA AN-TA, WA-ANNA MUHAMMADAN 'ABDUKA WARASUULUKA” (Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri naramutse ndakugize Icabona, ndanagize ivyabona abamalayika bareruye Ubuhangamo bwawe, n'abandi bamalayika bawe, n'Abavugishwamana bawe, n'ibiremwa vyawe vyose, ko Wewe mu vy'ukuri ari Wewe Mana Allah, ata yindi mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe Wenyene, n'uko Muhamadi ari Umuja akaba n'Intumwa Yawe).
Akavuga ku mugoroba naho ati:“ALLAAHUMMA INNII AMSAYTU USH-HIDUKA, WA-USH-HIDU HAMALATA 'AR-SHIKA, WAMALAA-IKATAKA, WA-AMBIYAA-AKA, WAJAMII-'A KHAL-QIKA, BI-ANNAKA AN-TA LLAAHU LAA ILAAHA ILLAA AN-TA, WA-ANNA MUHAMMADAN 'ABDUKA WARASUULUKA”,(Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri niriwe, ndakugize Icabona, ndanagize ivyabona

abamalayika bareruye Ubuhangamo bwawe, n’abandi bamalayika bawe, n'Abavugishwamana bawe, n’ibiremwa vyawe vyose, ko Wewe mu vy’ukuri ari Wewe Mana Allah, ata yindi mana y’ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe Wenyene, n’uko Muhamadi ari Umuja akaba n’Intumwa Yawe).(incuro zine) mu gitondo no ku mugoroba.
"LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, WAHUWA 'ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR". (Nta mana ibwirijwe gusengwa vy’ukuri atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa, ubwami n’ugushimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose).
(Incuro ijana) mu gitondo canke ku mugoroba.
"HASBIYA LLAAHU LAA ILAAHA ILLAA HUWA, 'ALAYHI TAWAKKALTU, WAHUWA RABBU L-'ARSHI L-'ADHWIIM". (Iyikwiye kunkingira ni Imana Allah, nta yindi mana y’ukuri ibwirijwe gusengwa atari Yo, ni Yo nishimikije mu kuyizera, ni na Yo Mana Rurema Yaremye Ubuhangamo buhambaye”.
(Incuro indwi).
"HASBIYA LLAAHU WAKAFAA, SAMI-'A LLAAHU LIMAN DA-'AA, LAYSA WARAA-A LLAAHI MARMAA". (Iyikwiye kunkingira ni Imana Allah kandi Irabikwiye. Imana Allah Yamaze kwumva uwuyisaba, nta hangiro rindi ryoza rihambaye mu nyuma y'ihangiro rigana ku Mana Allah”.
"SUB-HAANA LLAAHI WABIHAMDIH". (Ininahazwa n’ishimagizwa ni ivy’Imana Allah).
(Incuro ijana) mu gitondo canke ku mugoroba, canke muri ivyo bihe vyompi.
“AS-TAGH-FIRU LLAAHA WA-ATUUBU ILAYHI”. (Ndasavye Imana Allah Imbabarire, kandi ndigaye ku vyaha vyanje).
(Incuro ijana).
Ibi bisabisho, ni vyo vyanyoroheye kwandika, nkaba nsavye Imana Allah ko vyogira akamaro.
Vyanditswe na Muhamadi Al-Swaalih Al-Uthaymiin kw'igenekerezo rya 20, mu kwezi kwa umwaka wa 1418 kuva Intumwa yimutse.